# Ndabasigiye iragi ry'uko mwotsimbatara kw'igamburukiramana, ukwumva n'ukwumvira indongozi, n'aho indongozi ibarongoye yoba ari umuja, burya uwuzobaho akaramba muri mwebwe mu nyuma zanje, azobona ukudahuza mu guhazana kenshi mu vyiyumviro, nivyabashikira rero muraheza muce mwisunga inyigisho n'imigenzo vyanje, hamwe rero n'imigenzo y'ingendanyi zanje z'abagororotsi zigendera ukuri

Mu vyakiriwe na Se wa Najiihi, Al'Irbaadwi mwene Saariya (Imana Allah Imwishimire) yavuze ati: "Umusi umwe Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaraduhaye inyigisho (impanuro) nkoramutima zadushitse ku nyota, maze imitima iroroha iratinya, amaso na yo arakorora amosozi, duca tuvuga duti: "Ewe Ntumwa y'Imana! Waduhaye inyigisho (impanuro) nkoramutima nk'iz'umuntu ariko araraga, enda rero duhe isezerano tuzoheza tukisunga utakiriho". Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ica ivuga iti: "Ndabasigiye iragi ry'uko mwotsimbatara kw'igamburukiramana, ukwumva n'ukwumvira indongozi, n'aho indongozi ibarongoye yoba ari umuja, burya uwuzobaho akaramba muri mwebwe mu nyuma zanje, azobona ukudahuza mu guhazana kenshi mu vyiyumviro, nivyabashikira rero muraheza muce mwisunga inyigisho n'imigenzo vyanje, hamwe rero n'imigenzo y'ingendanyi zanje z'abagororotsi zigendera ukuri, izo nyigisho n'imigenzo rero ndababwiye, murazigumya n'ibijigo mu kuzigendera mutarekura, muraheza kandi mwirinde ibintu vy'ivyadukona; kuko icadukano ico ari co cose, ni ubuhuvyi"".

[صحيح] [رواه أبو داود والترمذي]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yarahaye ingendanyi ziwe impanuro nkoramutima zishika ku nyota, ku buryo imitima yoroshe igatinya ibihano, bituma amaso akorora amosozi bitewe n'ikigumbagumba; ingendanyi zari aho zica zivuga ziti: Ewe Ntumwa y'Imana! Izi mpanuro nkoramutima womenga ni impanuro z'uwuriko araraga. Aho ingendanyi zari zifatiye ku mwitwarariko Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yari afise mu gutanga nya nyigisho, ziraheza zica zimusaba ko azisigira iragi zizofata nkama mu kurigendera mu nyuma y'aho (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) atakiriho, aca avuga azihanura ati: Ndabasigiye iragi ry'uko mugamburukira Imana

Allah mu gukora ivyo Yabategetse no kureka ivyo Yababujije, ukwumva n'ukwumvira indongozi, n'aho vyoshika mukaba murongowe canke mugatwarwa n'umuja, bisigura gutwarwa n'umuntu nyarucari, ico gihe rero ntimuzohirahire ngo mumugaye, ahubwo muramwumvira ku kwanka ko hoca hiyadukiza igeragezwa ry'ugucanamwo, mu vy'ukuri uwuzoramba muri mwebwe azobona ukudahuza mu guhazana kenshi mu vyiyumviro. Mu nyuma rero, Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yahavuye yereka ingendanyi inzira izokura abantu mu kudahuza mu guhazana mu vyiyumviro, ko ari ugufata nkama n'ukugendera inyigisho n'imigenzo vyayo, hamwe rero n'ugufata nkama imigenzo y'ingendanyi z'abagororotsi zigendera ukuri, mu nyuma y'aho azoba atakiriho. Izo ngendanyi ni Abu Bakari w'imvugakuri, Omari mwene Al-Khattwaabi, Othmani mwene Affaani, hamwe rero na Ali mwene Abu Twaalibi (Imana Allah Izishimire zose). Ukugumya n'ibijigo inyigisho n'imigenzo bivugwa ng'aha, bisigura kugumya izo nyigisho n'imigenzo ata guhesha mu kuzigendera. Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yaranihanije ingendanyi ziwe ko zokwirinda ibintu vy'ivyadukano mw'idini, kuko mu vy'ukuri icadukano iyo kizanana hose, ari ubuhuvyi.

https://sunnah.global/hadeeth/rn/show/66529